**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°27 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 14 GITUGUTU 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Kane igenekerezo rya 14 Gitugutu 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 11 Gitugutu 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/107 ryo ku wa 07 Ndamukiza 2021 rishiraho rikongera rigatunganya umugambi ufasha urwaruka rutagira akazi kwiteza imbere mu vy'ubutunzi,** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere

Umugambi ufasha urwaruka ko rutagira akazi kwiteza imbere mu vy'ubutunzi washizweho n'itegeko n°100/107 ryo kw'igenekerezo rya 07 Ndamukiza 2021. Iryo tegeko riritegekanya umugwi ku rwego rw'igihugu ujejwe gutanga intumbero z'ibirangurwa mw'ishirwa mu ngiro z'uwo mugambi, be n'umugwi ujejwe ivy'ubuhinga.

Ariko vyaribonekeje ko habaye intambamyi zatumye ibikorwa vy'uwo mugambi bitarangurwa neza, aha twovuga nko guteba gushiraho uwo murwi ujejwe ivy'ubuhinga, be n'igitigiri c'umurengera c'abawugize kuko n'abantu mirongo itatu n'idwi.

Muvyo iyi nteguro ishikiriza, ni uko ico gitigiri cogabanuka, aho kugirango intara yose igire uwuyiserukira, hagatorwa uwuserukira akarere.
Muri uwo mugwi, hojamwo kandi abaserukira ubushikiranganji bukurikiranira hafi ivy'urwaruka.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, ica ishikiriza ibi bikurikira:

- Hojaho uburere butanu nk'uko bitunganijwe mu Gipolisi c'Uburundi;
- Uwo mugwi ujejwe ivy'ubuhinga wogirwa n'abantu icenda aribo baba bakurikira:
    - Uwuserukira Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere ;
    - Batanu baserukira ubwo burere butanu, umwe ku karere;
    - Uwuserukira ubushikiranganji bujejwe urwaruka;
    - Uwuserukira ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta;
    - Uwuserukira urwaruka rwitunganiriza imigambi.

2. **Integuro y'igitabu cerekana ingene imigambi ya Reta itegurwa,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutegura imigambi y'iterambere**.**

Kuva ku ntwaro y'igikoloni, Uburundi bwamye butegura imigambi y'iterambere mu ntumbero yo guteza imbere ubutunzi.

Ariko nta kinini vyashitseko kubera hari agahaze mu gutegura iyo migambi, kuko yaba ishingiye ku kiringo gito.

Nico gituma Uburundi bwaciye bufata icemezo co kwiha ikiringo kirekire co gushika mu 2025. Iryo shusho ry'Uburundi ryo mu 2025 niryo ryafashije mu gutegura umugambi w'iterambere ry'igihugu.

Naho Uburundi bwateguye ibitabu vyinshi bitegura imigambi y'iterambere, nta gitabu kihari cokwisungwa na bose mu gutegura iyo migambi, haba ku rwego rw'igihugu, mu bushikiranganji canke mw'ikomine, ivyo navyo bigatera ikibazo, kuko bose ntibaheza ngo bayitegure kumwe.

Nico gituma iki gitabu cerekana ingene imigambi itegurwa catunganijwe. Cerekana inzira zose umugambi ucamwo mu gutegurwa, intambwe zose ucako, ivyiyumviro nyamukuru wisunga, ibikenerwa mw'ikurikiranwa no mw'isuzumwa ryawo.

Kizofasha kugirango itegurwa ry’imigambi rigende neza kuva hasi gushika hejuru, cereke abo bose vyega ivyisungwa kugirango igihugu gishike kw’iterambere rirama, ibikorwa vyategekanijwe birangurwe neza nk’uko vyateguwe ata guta ibintu mu rudubi, kandi ibintu bitegurwe kumwe ku nzego zose.

Inama nshikiranganji yari yarihweje iyo nteguro irayiterera, ica iyisubiza inyuma kugirango ihinyanyurwe neza ifatiye no ku vyiyumviro vyoshikirizwa n’ubushikiranganji butandukanye.
Iyi nteguro rero yahinyanyuwe yisunze intererano zavuye mu bushikiranganji.

Inama nshikiranganji imaze kuyica hirya no hino yarayemeje.

3. **Urwandiko rujanye n’ishirahamwe ryahoze ari EPB be n’ishirahamwe Global Port Services Burundi**, rwashikirijwe n’Umushikiranganji w’ikigega ca Reta na gutunganya imigambi y’iterambere

Kw’igenekerezo rya  03 Ntwarante 2021, inama nshikiranganji yarihweje urwandiko rujanye n’icegeranyo c’umugwi wize ukongera ukemeza uko amatungo y’ishirahamwe EPB angana n’ico aciye, be n’umutahe wa Reta mw’ishirahamwe Global Port Services Burundi.

Ico gihe, Inama nshikiranganji yari yasavye ibi bikurikira:

- Gukura mu nzira ningoga amatati araba EPB, hanyuma iryo shirahamwe rifutwe;
- Kwegeranya amatungo ya Reta akiri mu minwe ya EPB, agasubizwa Reta mu maguru masha;
- Gutandukanya neza ibiharurwa nk’umutahe wa Reta mw’Ishirahwamwe Global Port Burundi be n’ivyo rikoteye Reta;
- Gutegura icegeranyo gitomoye neza kigashikirizwa inama nshikiranganji;
- Gusuzuma amasezerano yose Reta yateyeko umukono hakagaragara aho yagiriye uruhombo.

Uru rwandiko rero ruratanga inyishu kuri ivyo inama nshikiranganji yari yasavye.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yashikirije ibi bikurikira:

- Gutohoza neza kugirango hamenyekane ingene amato 18, Ububirigi bwasigiye Reta y’Uburundi ubu ari mu minwe y’Ishirahamwe ARNOLAC hanyuma ingingo zibereye zifatwe;

- Kurabo ko ayandi mato ahari adakomoka kuri ayo ya Reta y'Uburundi ;
- Guharura neza igiciro c' imitungo ya Reta kugirango umutahe wa Reta muri Global Port Services Burundi uboneke neza ;
- Kuraba aho amamanza yari mu ma sentare ageze, izaheze zije mu ngiro;
- Gusuzuma amakonte ashirwako amafaranga arihwa ku mazu canke ku bindi bikoswe ;
- Abashikiranganji bajejwe gutwara abantu n'ibintu be n'inyubakwa boraba mu nkaratasi zibitswe mu bushikiranganji ko atavyoboneka vyofasha kugirango Reta imenye amazu yayo canke amatongo ari mu minwe y'abikorera ivyabo;
- Kugarukana mu minwe ya Reta ivyayo biri mu minwe y'abigenga ata kirinze gusabwa;
- Umushikiranganji ajejwe gutwara abantu n'ibintu yoharura neza umutahe Reta ifise muri Global Ports Services Burundi kugirango ibone aho yibwe;
- Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere bizorongora umurwi uzoba urimwo abo mu Bugenduzi Bukuru bwa Reta n'abo mu Biro vy'Umukuru w'Igihugu ukazoba ujejwe gufuta ishirahamwe EPB no gusubiza amatungo ryari rigifise mu minwe ya Reta.

4. **Urwandiko rwerekeye iyinjira ry'Uburundi mw'Ibanki y'Iterambere rya Afrika y'Ubuseruko,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutegura imigambi y'iterambere**.**

Kw'igenekerezo rya 10 Ndamukiza 2015, Inama y'abayoboye Ibanki y'iterambere rya Afrika y'Ubuseruko yarakoraniye i Arusha muri Tanzaniya yihweza igisabo c'Uburundi co kwinjira muri iyo banki.

Bose baremeje ko Uburundi bwokwinjiramwo bukaba busabwa kwubahiriza ibiri mu masezerano ashinga iyo Banki.

Uburundi bwemerewe uduce tw'umutahe (actions) ibihumbi mirongo ibiri na bibiri n'amajana umunani(22 800) , bugaca busabwa kuriha amahera y'uduce ibihumbi bitatu n'amajana munani (3 800), ibihumbi cumi n'icenda (19 000) natwo dusigaye tukazorihwa buke buke mu kiringo c'imyaka cumi.

Agace k'umutahe kamwe gafise igiciro c'amadolari y'abanyamerika ibihumbi cumi n'indwi n'amajana atatu (17 300).

Umuyobozi mukuru w'iyo banki asaba Reta y'Uburundi kwemeza ko igishaka kwinjiramwo, kwemeza uduce tw'umutahe izofata, n'ikiringo amahera azotangirwamwo.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yaremeye ko Uburundi bwokwinjira muri iyo Banki, ica isaba Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta kwiga ingene ubwo buryo bwoboneka.

5. **Integuro y'itegeko rishinga ibikurikizwa mu kwakira abashitsi no gutunganya iminsi mikuru,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe imigenderanire no gufashanya mw'iterambere.

Ibijanye no kwakira abashitsi no gutunganya iminsi mikuru nk'uko bikorwa ngaha mu Burundi kuva turonka intahe y'ukwikukira birafise agahaze, kuko bitagira amategeko vyisunga.

Ishirwaho ry'ayo mategeko aha mu Burundi ryofasha, utugorane dutuma ico gikorwa kitagenda neza ntidusubire kwibonekeza.

Rifise intumbero yo kugirango ibikorwa bitunganywa ngaha mu Burundi bigire ico vyisunga, bitume n'abakozi bo muri ico gisata co kwakira abantu no gutunganya iminsi mikuru bagira ubumenyi bukwiye.

Ayo mategeko arerekana kandi ivyisungwa n'ubuserukizi bw'ibindi bihugu canke amashirahamwe mpuzamakungu bikorera ngaha mu Burundi.

Kimwe muri bishasha ni uko ayo mategeko afatira k'ukugene ibintu vyagiye birahinduka aha mu gihugu kuva twinjiye muri demokarasi kuva mu 1993, be rero na bikuru bikuru ngenderwako vyisungwa kw'isi yose.

Iyi nteguro irerekana abantu ingene bagenda bakurikirana ku rutonde kuva hejuru gushika no ku batowe ku mitumba.

Inama nshikiranganji yari yarigeze kwiga iyo nteguro yari yateguwe nk'ibwirizwa, mu vyari vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Kuraba ko iyo nteguro yoba ibwirizwa canke itegeko hisunzwe ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi;
- Iyo nteguro yojamwo ingingo ngenderwako gusa, ibijanye n'ido n'ido bigashirwa mu yandi mategeko;
- Kuraba ko iyo nteguro ihuye n'amateka, n'amategeko hamwe n'imico vy'Uburundi;
- Gutegekanya inyigisho ku bakozi bagenwa ngo bakore mu bijanye no gutunganya iminsi mikuru no kwakira abashitsi kuko ivyo biratanga ishusho y'ingene igihugu gitunganijwe ;

- Nko ku mazina amw'amwe y'ibisata ashobora guhinduka umwanya uw'ariwo wose, kurondera izina rusangi ryogumaho naho ico gisata cohinduka ingene citwa.

Inama nshikiranganji yari yaciye ishiraho umugwi wofasha gutosora no guhinyanyura neza iyo nteguro imbere y'uko igarukanwa mu nama nshikiranganji.
Iyi nteguro ishikirijwe rero ni iyahinyanyuwe hisunzwe ivyari vyasabwe.

Inama nshikiranganji yihweje iyo nteguro, yarayemeje, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Kubijanye n'abafise uburenganzira bwo guca mu kibanza c'iteka c'abanyacubahiro, hokongerwako abo bubakanye;
- Kuraba ko inomero z'ibigabane zanditse neza:
- Ku bijanye n'ingene abantu bagenda barakurikirana :

    - Umukuru wa Sentare yubahirizwa ibwirizwa nshingiro yokurikira Umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa, nawe agaca akurikirwa n'Umukuru w'Umugambwe uri ku butegetsi ;
    - Abayobozi bishikira mu biro vy'icegera c'Umukuru w'igihugu n'Umushikiranganji wa Mbere bokurikira abayobozi bishikira mu Biro vy'Umukuru w'Igihugu;
    - Abasirikare bafise ipete rya Jenerali n'abapolisi bafise ipete rya Komiseri boza inyuma y'abakuru b'izo nzego zibiri;
    - Komiseri Mukuru w'Ikigo OBR yokurikira Umukuru w'Ibanki Nkuru y'Igihugu ;
    - Abayobozi b'ama kaminuza bokurikira abayobozi bakuru n'abayobozi mu Bushikiranganji n'ibisata vyegamiye Reta ;
    - Abasenyeri bokurikira uwuserukira imigambwe itavuga rumwe na Reta ;
    - Gutosora neza iyo nteguro kuko hari abanditswe habiri.

6. **Urwandiko rujanye n'ingene horonderwa uburyo bwo kwubaka ibarabara ry'indarayi UVINZA-MUSONGATI,** rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ubudandaji, ugutwara ibintu n'abantu, amahinguriro n'ingenzi.

Urwo rwandiko rwerekana inzira zoshoboka mu kurondera uburyo bwo kwubaka ibarabara ry'indarayi, nazo zikaba ari izi zikurikira:
1° Gufata ideni ryose mu ma banki kugirango uwo mugambi uranguke ;

2° Gufata igice c'ideni, ibice kuva kuri 20% gushika ku 40% bikaronderwa mu buryo bw'igihugu;
3° Uburundi na Tanzaniya vyoronderera hamwe mu bo basanzwe bafashanya uburyo bwoba busigaye, ni kuvuga hagati ya 60% na 80% ;
4° Kugwatiriza ubutare bwa Nikeli bw'i Musongati uwubuhawe agatanga uburyo bwo kurangura uwo mugambi ;

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino izo nzira zose, yabonye ko iyibereye ari uko hofatirwa hamwe inzira zikurikira : kurondera uburyo mu gihugu, gusaba abasanzwe bafashanya n'Uburundi uburyo bategekanya mu migambi imw'imwe bugakoreshwa mu kwubaka iryo barabara ry'indarayi, no gufata ideni mu ma banki.

Mu bindi vyashikirijwe, harimwo ibi bikurikira :

- Ibarabara ry'indarayi rizotuma ubutunzi bw'Uburundi butera imbere ;
- Guheraheza neza urupapuro rw'inzira rwerekeye iyubakwa ry'iryo barabara rugashikirizwa vuba Reta ya Tanzaniya, nk'icemezo c'uko Uburundi bwafashe iya mbere muri uwo mugambi. Mu kurindira, umushikiranganji ajejwe imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu yorungikira urwandiko mugenzi we w'igihugu ca Tanzaniya rwemeza ko Uburundi bwiyemeje kurangurira hamwe uwo mugambi na Tanzaniya ;
- Abashikiranganji bajejwe ubutunzi ba Reta y'Uburundi na Tanzaniya boja hamwe bakiga neza ibishikirizwa na Banki DTB na CRDB kuko ziripfuza gutanga ingurane kuri uwo mugambi w'ibarabara ry'indarayi;

7. **Integuro y'ibwirizwa riginga inkino zo gutomboza,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ubudandaji, ugutwara ibintu n'abantu, amahinguriro n'ingenzi.

Ishirahamwe rijejwe inkino zo kurushanya imigisha (Loterie Nationale du Burundi) ryashinzwe mu mwaka w' 1985.
Gushika mu mwaka w' 2000, urukino rwo gutombora mu guhanagura udutike ni rwo rwari ruhari rwonyene. Ni muri uwo mwaka nyene haciye haza irindi shirahamwe ritunganya inkino zo kutomboza amahera biciye mu mashini, rigiranira amasezerano na LONA ko ariryo ryonyene rizokorera muri ico gisata c'amamashini.

Mu mwaka w'2018, Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta yarafuse iyo ngingo iha ubwo burenganzira iryo shirahamwe ryonyene.

Muri iki gihe, hari benshi bariko barasaba impusha zo gukorera muri ico gisata c'imikino itandukanye yo gutomboza.

Amategeko agenga ishirahamwe rijejwe inkino zo kurushanya imigisha (Loterie Nationale du Burundi) n'amasezerano ari hagati yaryo n'iryo shirahamwe rikorera mu gisata c'amamashini ntatorera inyishu ibibazo biri mu gisata c'inkino zo gutomboza. Aha twovuga nko gukurikirana ingene imikino itunganywa, gutorera inyishu amatati avutse, ibihano, amategeko agenga izo nkino, n'ibindi.
Iyi nteguro ije gutorera inyishu ivyo bibazo vyose.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yasanze hari imikino isa n'ivyo vyo gutombora imw'imwe ibujijwe mu Burundi, aho twovuga nk'akamari. Mu gushinga ishirahamwe LONA, intumbero ya Reta y'Uburundi kwari ukwegeranya amahera kugirango akore mu bikorwa vy'iterambere. Imbere yo gushiraho iri bwirizwa, birakenewe rero ko herekanwa neza ico Reta ishaka gushikako.

Ni muri iyo ntumbero inama nshikiranganji yaciye isaba ko hotegurwa Umugambi werekana iyerekwa n'ihangiro rya Reta mu bijanye n'inkino zo gutomboza, ukerekana n'ingene woshikwako.

8. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/090 ryo ku wa 30 Rusama 1991 ritunganya gushasha Ishure rikuru ry'amagara y'abantu,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'amagara y'abantu no kugwanya Sida.

Kuva iryo shule rishingwa mu mwaka w'1991, ryagumye rikura ryongera riragura n'ibikorwa vyaryo.
N'amategeko ntiyahengashanije guhinduka.

Amategeko agenga inyigisho za kaminuza mu Burundi muri rusangi, be n'ayagenga inyigisho za kaminuza mu vy'ubuvuzi yarahindutse cane.

Iyi nteguro rero ije kwisunga ayo mategeko yagiye arahinduka mu gutunganya gushasha iryo shule.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, muvyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Umuyobozi ajejwe ivy'inyigisho ntiyoja mu rwego nshingwantwaro rw'iryo shule kuko hasanzwe hariyo Umuyobozi mukuru;
- Igisata c'ubuhinga na ntunganyanyigisho corongorwa n'uwagenywe n'umukuru w'igihugu;

- Ntibikwiye ko umushikiranganji ahabwa ikiringo ntarengwa co kuba yagize ico avuga ku ngingo zafashwe n'urwego nshingwantwaro;
- Gutosora neza iyo nteguro.

9. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano y'ingabire y'uburyo buzofasha mu mugambi wo gushigikira abapfasoni n'urwaruka mu kubanagurira ubumenyi bubafasha mu kazi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Iyo ngabire yatanzwe n'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere ingana na miliyoni mirongo umunani (80) z'amadolari y'Abanyamerika.
Uwo mugambi uzorangurwa mu gihugu cose, ukaba uzomara imyaka itanu.

Intumbero y'uwo mugambi ni gutanga inyigisho zifasha urwaruka kwitunganiriza imigambi, no kuronsa abakenyezi n'impunzi ubumenyi butuma biborohera kuronka akazi.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje, muvyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Kuraba neza ko izo nyigisho ataco ziza kwonona muzisanzwe zitangwa;
- Kuraba ko uwo mugambi uhuye n'iyindi iriko irarangurwa cane cane mu gisata c'urwaruka aha twovuga nk'umugambi ufasha urwaruka rutagira akazi kwiteza imbere mu vy'ubutunzi « PAEEJ »;
- Gutegura indinganizo y'ingene uwo mugambi uzoshirwa mu ngiro igashikirizwa inama nshikiranganji kugirango irabe ko uhuye n'ivyo Reta ishira imbere y'ibindi;
- Muri kazoza, imigambi minini minini ifatwa mu mugongo n'abafashanya n'Uburundi yoza iraca mu nama nshikiranganji imbere y'uko abashikiranganji bayiterako umukono;
- Abashikiranganji boza barakurikiranira hafi ingene imigambi irangurirwa mu bushikiranganji iriko irashirwa mu ngiro.

**10. Utuntu n'utundi**

Inama nshikiranganji yarasubiye kwibutsa guhimiriza abantu kwubahiriza ingingo zo kwikingira umugera wa koronavirusi no kwipimisha kenshi, kuko aribwo buryo nyabwo bwo kugwanya irandagata ryawo, gusumba kwicandagisha. Umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida yaciye amenyesha ko hari incanco zashitse aha mu gihugu cacu zitanzwe n'igihugu c'Ubushinwa, igice ca mbere c'izatanzwe n'Ibanki y'Isi yose naco kikaba kizoshika hagati y'amataliki ya 25 Gitugutu na 15 Munyonyo 2021.

Yaramenyesheje ko urucanco ruzoterwa uwuvyipfuza, akaba azosabwa kubanza kwiyandikisha.

Inama nshikiranganji yasavye kandi ko hokwigwa uburyo bw'ingene atawova mu ntara aja mu yindi atipimishije.

Imbere yo gusozera inama, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yasubiye kwibutsa abashikiranganji kuba ku kibuga kenshi, kugirango barabe ko ibisata bajejwe biriko biratorera inyishu ibibazo vy'abenegihugu.

Bigiriwe i Bujumbura, 15 Gitugutu 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi

Prosper NTAHORWAMIYE